Yesu n'ibikoko



Ubutumwa bw'ukuri

Vyakuwe mu gitabo:

Iri n'ijambo ryanje A na Ω

Ubutumwa bwa Yesu

Ubuhishuzi bwa Kristo buzwi n'abakristo b'ukuri mw'isi yose

(Igitabo kiriho mu gifaransa n'icongereza)

1ère édition en Kirundi: octobre 2021

Traduit de l'allemand, titre original:
Jesus und die Tiere

Pour toute question se rapportant au sens,
l'édition allemande fait référence

© Tous droits réservés
Gabriele-Verlag Das Wort GmbH

Yesu ashika mu gisagara maze abona akayabu gatoyi katawe kandi gashonje kaza kamwegera n'urwamo rwinshi. Aragaterura, agatwikira mu mwambaro wiwe maze agakikiriza mu gikiriza ciwe.

Kandi ariko araca mu gisagara, agaha ico kurya n'ico kunywa. Nako kararya kandi karanywa kandi kamwereka ko gakengurutse.

Abantu bamwe bahera aho bavuga: «Uwo mugabo yitaho ibikoko. Yoba avukana navyo ko avyitaho uko kwose?» Maze arababwira: «Muvyukuri, ivyo vyaremwe ni ibivukanyi vyanyu mu muryango mukuru w'Imana, ni ibivukanyi vyanyu vyaronse k'Uhoraho uguhumeka kumwe nkamwe mu buzima.

Uwo wese yitaho kimwe mu biri hanyuma y'ibindi mu vyaremwe kandi akagiha ico kurya n'ico kunywa mu magorwa yaco, ni jewe abikoreye. Kandi uwureka n'impaka ko kimwe mu vyaremwe kigira ico kibuze, ntagikingire igihe gifashwe nabi akemera ko gikorerwa ico kibi nije aba agikoreye. Kandi

nkuko mwitwaye muri ubu buzima, ni ko namwe muzogirirwa mu buzima bwa kazoza.»



Umusi umwe aca mu nzira y'imisozi ku nkengera y'ubugararwa, ahwana n'intare yirukanzwa n'umurwi w'imbwa n'abantu bayitera amabuye n'amacumu kandi bashaka kuyica.

Ariko yesu aramama avuga: «Kuki muhiga ibiremwa vy'Imana vyagaciro nkamwe? Kubwo ububisha urunganwe ku rundi vyahindutse abansi b'abantu kandi bategerezwa kuba abagenzi bavyo.

Nkuko ubushobozi bw'Imana bugaragara mu vyaremwe, niko ukwihangana kwayo n'impuhwe zayo bigaragara muri vyo. Hagarika guhama ivyaremwe! Ntakibi bishaka kubagirira. Ntimubona ko bibahunga

kandi bitewe ubwoba n'ubugizi bwa nabi bwanyu?»

Maze ya ntare iza kuri Yesu, iryama ku birenge vyiwe, kandi imugaragariza urukundo. Abantu baratangara cane maze baravuga: «Rabe, uwo mugabo akunda ivyaremwe vyose, gushika naho ategeka ibikoko vyo mu bugaragwa, kandi bikamwumvira.»



Buno Yesu ariko agendagenda na bamwe mu bigishwa biwe, ahura n'umuntu ariko ahigisha imbwa. Aramubwira: «Kuki ukora ivyo?» Nya muntu aramwishura: «Nico gikorwa kintunze. None ivyo bikoko hari ikindi bimaze? Ni ibinyantege nke, ariko imbwa zirakomeye.»

Yesu aramwishura: «Urabuze ubwenge n'urukundo. Menya, icaremwe cose Imana yaremye gifise uburenganzira bwo kubaho.

Ni nde ashoboye kuvuga ivyiza biri muri co n'ikimazi caco kuri wewe canke k'umuntu?

Kandi mukwemeza ibigitunga: ihweze imirima, ukuntu ikura kandi ikimbuka, ihweze ibiti biriko ivyamwa, ihweze ivyatsi! N'iki ushaka kirenze ku biva mu kazi kawe kabereye k'amaboko yawe?

Haragowe abanyenkomezi bakoresha nabi inkomezi zabo! Haragowe abanya-mayeri bakomeretsa ivyaremwe vy'Imana! Haragowe abahigi! Kuko nabo bazohigwa!»



Umusi umwe, Umwami Yesu ava mu gisagara maze aca mu misozi n'abigishwa biwe. Bashika k'umusozi ufise inzira zigoye cane maze bahahurira n'umugabo arikumwe n'indogoba yikoreye.

Ariko indogoba yari yatemvye kuko yari iremerewe. Wa muntu arayikubita ayivisha amaraso. Yesu aza ahari maze aramubwira: «Wa mwana w'ikibi kuki ukubita ico gikoko cawe? Ntubona ko cikoreye ibirenze ico gishoboye kandi ntuzi ko kibabara?»

Maze wa muntu arishura: «Kuki wivanga mubitakuraba? Ndemerewe gukubita igikoko canje uko nshaka, kuko ni icanje kandi nakiguze amahera menshi. Baza abo muri kumwe kandi baba hafi yiwanje barabizi.»

Maze abigishwa benshi barishura: «Ego, mwigisha ivyo avuze ni vyo, ni ho twari igihe yakigura.»

Umwigisha nawe arishura: «Ntimubona uko kiriko kiraviririana, ntimwumva amaborogo n'iminiho yaco?»

Maze barishura: «Oya, Mwigisha ntamaborogo ntaniminiho yaco twumva!»

Jewe, Kristo, ndasigura, ndakosora kandi ndashimangira ijambo:

Nubwo umuntu yogura igikoko ntikiba inyegu yiwe. Nkuko umubiri w'Impwemu, umushaha mu muntu wegukira ukubaho ibihe vyose kuko waremwe n'uhoraho kandi ko ikiremwa c'Impwemu kibeshwaho n'Uhoraho mu kubaho guhoraho, co kimwe n'igikoko caremwe na Mpwemu umuremyi ahoraho, kandi cegukira ubuzima bw'ukubaho kutagira iherezo: Imana.

Imana ni urukundo rutwitangira, Ubuzima butwitangira. Kandi n'ikiremwa muntu gihamagarirwa nanje, Kristo, gukorera bagenzi baco mu buryo butironderera inyungu. Tuvuze «bagenzi banyu» dutegerezwa kandi kwumva n'ibidukikije, ibimera, n'ibikoko. Kuko n'igikoko naco kirafise impano zo gukorera bagenzi baco mu buryo butironderera inyungu kandi kigakora kibikunze kubagikunda.

Umuntu adakunda bagenzi we ntashobora kubakorera na gato mu buryo butironderera inyungu. Uzosanga kandi afise inyifato y'ubwikunzi ku bikoko, ibimera, n'ubutaka.

Igikoko ntajambo gifise kirababazwa kandi kikihangana mugacerere kandi ni gake kibasha kugaragaza intuntu n'umubabaro gifise. N'uwukunda bagenzi we wenyene, ibikoko, ibimera n'amabuye mu buryo butironderera inyungu ashobora kwumva intuntu n'umubabaro vy'igikoko.

Umwigisha agira agahinda maze aravuga: «Muragowe mwebwe, b'imitima ikomantaye mutumva amarira no kwambamba kw'ivyaremwe vyerekezwa ku muremyi wavyo. Incuro zitatu haragowe uwubiteza amaborogo n'amaganya vy'umubabaro!»

Nuko atera intambwe maze afata ya ndogoba. Irahaguruka kandi ibikomere vyayo birakira. Kandi abwira wa muntu ibi: «Fata

inzira yawe kandi ntugasubire kuyikubita na gato, nimba wizera ko nawe uzogirirwa ikigongwe»



Aja Iyeriko, Yesu ahura n'umuntu afise inuma ntonto hamwe n'akazu kuzuye inyoni yafashe. Ababazwa n'ukuntu zitidegemvya kandi zibabajwe n'inzara n'inyota.

Araheza abwira uwo muntu: «Uzikoresha iki?» Kandi wa muntu arishura: «Mbeshejweho no kudandaza inyoni nafashe.»

Maze Yesu aramubwira: «Wibaza iki nka hamwe uwugusumvya inkomezi canke ubwenge yogufunga, akakuboha, wewe canke umugore wawe canke abana bawe maze akaguta mu gasho kugira akudandaze yironkere inyungu kandi yironkere ubuzima?

Ntiwibaza ko ivyo vyaremwe ari bigenzawe, nubwo ubisumvya inkomezi? None si Imana imwe, Data kandi Mawe azitwararika

nkuko akwitwararika? Reka ibivukanyi vyawe vyidegemvye, kandi ugabe ntugasubire gukora nk'ivyo wakoze, ariko rondera ubuzima bwawe mu buryo bubereye.»

Uwo muntu atangazwa nayo majambo n'ububasha bwiwe araheza ararekura za nyoni. Zimaze gusohoka, za nyoni ziguruka zigana kuri Yesu zigwa kubitugu vyiwe kandi ziramuririmbira.

Wa muntu atangura rero kumubaza ibibazo kunyigisho yiwe, hanyuma akomeza urugendo rwiwe aca yiga umwuga wo kujisha. Binyuze muri ako kazi araronka ibimutunga, arasambura twa tuzu n'imitego yiwe ahinduka umwigishwa wa Yesu.



Umusi umwe, igihe Yesu arangije kuvuga, umusore umwe aza kuri we hafi y'itiberiyade, ahantu hakomoka amasoko indwi, maze amuha udukwavu n'inuma kugira abifungure hamwe n'abigishwa biwe.

Yesu yihweza wa musore mu rukundo maze aramubwira: «Ufise umutima mwiza kandi Imana izoguha umuco; Ariko ntabwo uzi ko mw'itanguriro Imana yahaye umuntu ivyamwa vyo kw'isi nk'imfungurwa, kandi muri ivyo ntiharimwo inkende, inka, igitwazi canke intama; none kuki yica ivyaremwe bimukikuje kugira arye inyama n'amaraso vyavyo?

Murizera ko Mose yategetse gutanga ibimazi no kurya ivyo vyaremwe kandi ninako mubikora mu ngoro. Ariko ehe, ni uwusumba cane Mose kandi aje guhindura itegeko ry'ibimazi vy'amaraso n'ibifungurwa ndenzarugero kugira bije k'urutonde nkuko vyari mw'itanguriro, amashikanwa yejejwe n'ibimazi atari ivy'amaraso hamwe n'ibinyantete n'ivyamwa vyo kw'isi.

Yesu agenda agana iyerusalemu ahura n'indogoba yikoreye umutwaro uremereye w'imbaho. Indogoba ntiyashobora kuwuduza hejuru k'umusozi maze uwuyigendesha arayikubita ayifata nabi bunyamaswa atabwo iri butere ija imbere.

Abibonye, Yesu aramubwira:«Kuki ukubita umuvukanyi wawe?» Kandi wa muntu aramwishura: «Sinarinzi ko ari umuvukanyi wanje. None iki si igikoko cagenewe gutwara imizigo gitegerezwa kunkorera?»

Kandi Yesu aravuga: «Si ya Mana nyene yaremye igikoko n'abana bawe bagukorera, mwese ntimuhumeka impwemu zimwe ziva ku Mana?»

Wa muntu aratangara kwumva ayo majambo. Ahagarika gukubita ya ndogoba kandi arayiremurura bimwe muvyo yikoreye. Gutyo ya ndogoba ibona kuduga umusozi, maze Yesu ayigendera imbere kandi ntiyasubira guhagarara na gato kuri uwo musi.

Indogoba imenya Yesu, kuko yiyumvisemwo muri yo urukundo rw'Imana. Kandi

wa muntu ashaka kumenya vyinshi kuri iyo nyigisho. Yesu arayimwigisha abikunze kandi acika umwe mu biwe.



Mutahure ko ivyo mugirira ibikoko, ni jewe, Kristo, mubigirira kandi namwe muba muvyigiriye. Imibabaro n'ukwambamba vy'ibikoko umusi umwe bizohinduka imibabaro yanyu n'ukwambamba kwanyu. Imana, Uhoraho, yashize ibikoko mu maboko yikiremwa muntu atari kugira abibabaze ahubwo bibane.

Isi yahawe abantu kugira batahure ko ari abana b'Imana, ko ubuzima bwabo – nk'ubundi buzima bwose – buva ku Mana, kandi kugira bige guha agaciro no gukunda ubuzima. Mw'ishusho iyariyo yose n'urugezo

urwarirwo rwose rwo gutahura,ubuzima buriyereka ikiremwa muntu, ubuzima – Imana – iri muri vyose.



Ntanumwe mu ntumwa zanje canke mubigishwa banje yatanze itegeko ryo kwica umwagazi w'intama. Nubwo biri uko inyama z'intama narazihawe co kimwe n'intumwa n'abigishwa nk'impano y'urukundo. Bishitse, bagenzi bacu baba bashaka kuduha impano, kuko ntibari bwatahure. Narahezagiye iyo mpano kandi ntangura gufungura inyama. Intumwa zanje n'abigishwa banje bagize kumwe nkanje. Baraheza barambaza iki kibazo: Kugeza ubu twakwibaza ko dutegerezwa kwirinda kurya inyama. Nivyo watwigishije ariko ubwawe uhejeje kuzirya.

Narabasiguriye rero ibi: Ikiremwa muntu ntigitegerezwa kwica ibikoko kibigambiriye

canke ngo kirye na gato inyama zavyo. Ariko, igihe abantu bataratahura iyo nyigisho baguteguriye inyama maze bakazikuzanira nk'umushitsi w'iteka, uwo muntu ntibikwiye ko yanka iyo mpano. Kuko hari itandukaniro hagati yo gufungura inyama uzihahamiye n'akamwemwe, no kuzifungura mu ntumbero yo gukengurukira uwitanze mu kukwakira. Akaryo kabonetse kandi ivyo turimwo n'igihe bidukundiye, uwubitahura arashobora kugirira umwihwezo muri rusangi uwamwakiriye atiriwe arарondera kumwigisha. Igihe gishitse, uwamwakiriye azotahura ubwiwe intumbero yizo nyigisho muri rusangi.



Nukuri, ndabibabwiye, naje mw'isi kugira nsangangure imigirwa y'ibimazi vy'amaraso no guhahamira inyama z'ibikoko n'inyoni zicwa n'abantu.

Jewe, Kristo, ndasigura, ndakosora kandi ndashimangira ijambo:

(...) Kuba mu Mana ntivyerekeye gusa imigenderanire hagati y'abantu ariko n'ibindi binyabuzima vyose, nk'ibikoko, ibimera, amabuye n'ubutaka, kuko ikiriho cose gifise muri co Ubuzima, Imana. Uwubaho mu bumwe n'Ubuzima, ntiyica ibikoko abigambiriye, kandi ntiyaka ibimera ubuzima abigambiriye. Yubahiriza kandi ubuzima – inkomezi z'ugutahura – amabuye n'ubutaka bwose.



Ico mukorera uwuri hanyuma y'abandi bose mu bana banje, nije mukigiriye. Kuko ndi muri bo nabo bari muri jewe. Ego, ndi mu vyaremwe vyose kandi ivyaremwe vyose biri muri jewe. Nezeranwa navyo mu minezero yavyo yose kandi mbabarana

navyo mu mibabaro yavyo yose. Nico gituma ndababwira: mube beza kuri bagenzi banyu no ku vyaremwe vyose vy'Imana.



Mube rero abuzuye ugutahura, beza, b'imbabazi kandi bagavye, atari kuri bagenzi banyu gusa ariko kandi no kuvyaremwe vyose mwajejwe, kuko mu marushwa yavyo muri nk'Imana zavyo ngo mubifashe.



Udutabo turi mu Kirundi dutangwa k'ubuntu



- Ubuzima butunze gushika mu zabukuru
- Imana muri twebwe
- Nturere amaboko! Komeza!
- Aho babiri canke batatu bakoraniye mw'izina ryanje, ndi hagati muribo
- Kuronka imfashanyo mu ngwara no mu mubabaro
- Inyigisho yo Kumusozi Urufunguruzo rw'ubuzima bw'impwemu bwuzuye

Amabwirizwa Cumi Y'Imana

yatanzwe biciye muri Mose,
asiguwe mu mvugo y'uyu musi



Ni gute twotahura amabwirizwa cumi no kuyashira mu ngiro mu buzima bwa misi yose? Amabwirizwa cumi n'impanuro zihambaye z'ubuzima zitujana ku mahoro y'imbere no ku mwidegemvyo, kandi zidufasha kwiyegereza Imana intambuko ku yindi, Mpwemu yidegemvya, muri twebwe no mugifise ubuzima cose. *(Impapuro 40)*

Utu dutabo turaboneka kandi mugifaransa no muzindi ndimi nyinshi!

Infos en français par WhatsApp: +49 159 08 45 45 05
Gabriele-publishing.com

Gabriele Publishing
The Word

Max-Braun-Straße 2 • 97828 Marktheidenfed • Germany

www.gabriele-publishing.com

